REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

ITANGAZO

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora (CENI) uramenyesheje abenegihugu bose bakwije ibisabwa n'amategeko, baze baje kuraba intonde mfatakibanza z'abiyandikishije ngo baze bitabe amatora yo mu 2015, bongere basuzume ko bari kuri izo ntonde kandi banditswe neza.

Izo ntonde zizoba zimanistwe aho biyandikishirije, kuva kw'igenekerezo rya 16 ntwarante gushika kw'igenekerezo rya 20 ntwarante 2015.

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora, uboneyeho kurarika abenegihugu bakwije ibisabwa n'amategeko, bataronse akaryo ko kwiyandikisha, ku mvo zitandukanye, ko ubahaye akandi karyo ko kwiyandikisha kuva kw'igenekerezo rya 21 ntwarante gushika igenekerezo rya 23 ntwarante 2015. Ivyo bikorwa muzobifashwamwo n'abakozi ba CENI bazoba bari muri ivyo bibanza, kuva igihe c'isaha imwe n'igice zo mu gitondo gushika isaha cumi n'imwe n'igice z'umuhingamo, Kuva kw'igenekerezo rya 16 ntwarante gushika kw'igenekerezo rya 23 ntwarante 2015.

Bigiriwe i Bujumbura, kuwa 12./ntwarante/2015

Pierre Claver NDAYICARIYE
Umukuru w'umugwi w'igihugu wigenga
Ujejwe gutunganya amatora CENI

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CENI
COMMISSION ELECTORALE NATIONALE INDEPENDANTE

Siège : Commune Ngagara, Q. Industriel, Blv de l'OUA, Rue Nyankoni, Parcelle n° 690/C, B.P. 1128 Bujumbura, Tél : 22 27 44 64, e-mail : burundiceni@yahoo.fr, Site Web : www.ceniburundi.bi